MOVIMENTO D'AMORE

SAN JUAN DIEGO
24 OTTOBRE 2001

Miracolo Eucaristico avvenuto il 23 maggio 2003 alle ore 15.00
ad Ostina - Firenze, Italia - Sacerdote Don Bosco Gian Paolo Faroni

Rosario Eucaristico

www.conchiglia.net www.dozule.org

IROZARI Y'UKARISTIYA

Conchiglia

Ivyo Consiliya yahishuriwe n'Ubutatu Bweranda cane kw'igenekerezo rya 31 Kigarama mu mwaka w'2001.

Jewe... Yezu ... ubu ngirango ndakuyagire kw'izina ry'Ubutatu Bweranda cane.

Abana banje iyo bava bakagera, ayo matabernakulo mazima akwiragiye isi yose, mbasavye ko bokwama basenga bakoresheje aya majambo akurikira, azobe ariyo ababera irozari bazokwama bavuga bari muri ca gisabisho c'intahengeshanya imbere y'Isakramentu Ryeranda.

HATANGURA Ndemeye... 1

HAGAKURIKIRA Mwaramutse 3

HAGASOZERA Haninahazwe 1

Butatu Bw'urukundo... Butatu butigera butandukana... ndakuninahaza mu mutima wanje no mu buzima bwanje.

(Gusubiramwo imbere y'icibukiro cose)

1. ICIBUKIRO CA I

   Jewe.... Tabernakulo nzima, ndaguhaye ikaze muri jewe nka kumwe Umuvyeyi nyoko wawe yahora akwakira, ndakuninahaza, ndagusenga.

   - Dawe wa twese (1), Mwaramutse (10), Haninahazwe (1)
   - Butatu bw'urukundo 1 ...

2. ICIBUKIRO CA II

   Jewe... Tabernakulo nzima, ndakwakiranye urukundo rw'igishika n'akamwemwe, nkagusaba n'ikigongwe ngisabira abagutuka bagutyoza n'amasakirego mw'Isakramentu ry'Ukaristiya.

   - Dawe wa twese (1), Mwaramutse (10), Haninahazwe (1)
   - Butatu bw'urukundo 1 ...

3. ICIBUKIRO CA III

   Jewe... Tabernakulo nzima, ndakureruye ngo ndakugenduze isi yose, kugirango abantu bose basagwe n'umuhezagiro w'Ubutatu Bweranda.

   - Dawe wa twese (1), Mwaramutse (10), Haninahazwe (1)
   - Butatu bw'urukundo 1 ...

4. ICIBUKIRO CA IV

   Jewe... Tabernakulo nzima, ndashikirije ubuzima bwanje bwose ishaka ry'Imana kugirango nze name ndi mu bunywanyi bwawe wewe Mana yanje.

   - Dawe wa twese (1), Mwaramutse (10), Haninahazwe (1)
   - Butatu bw'urukundo 1 ...

5. ICIBUKIRO CA V

   Jewe Tabernakulo nzima... ndakubise ibipfukamiro hasi imbere y'inyonga z'Imana yo yanyitoreye... jewe mucumuzi nyabworo kugirango name ndakuninahaza imisi yose na hose kubera ishaka ryawe, wewe Mana yanje.

   - Dawe wa twese (1), Mwaramutse (10), Haninahazwe (1)
   - Butatu bw'urukundo 1 ...

Ndakuramutsa Yezu Ukaristiya ... Rukundo rwa Mana : ndagusavye ushire mu mutima wanje ikigongwe c'abantu bose bakigutuka.

Ndakuramutsa Yezu Ukaristiya... Jewe muri Wewe, nawe muri jewe twempi tugendere hamwe mu Butatu Bweranda.

Nawe Bikira Mariya Mawe Mugabekazi w'Ukaristiya... DUSABIRE.

AMAZINA ANINAHAZA UKARISTIYA

1.	Mukama tugirire ikigongwe	Mukama tugirire ikigongwe
2.	Ewe Kristu tugirire ikigongwe	Ewe Kristu tugirire ikigongwe
3.	Mukama tugirire ikigongwe	Mukama tugirire ikigongwe
4.	Yezu Kristu twumvire	Yezu Kristu twumvire
5.	Yezu Kristu dukundire	,,
6.	Dawe wo mw'ijuru Mana	Tugirire ikigongwe
7.	Mwana Mukiza w'abantu, Mana	,,
8.	Mutima Mweranda, Mana	,,
9.	Butatu bweranda Mana imwe	,,
10.	Yezu Ukaristiya... buhirwe bw'abamalayika n'aberanda	Ndagukunda kandi ndagusenga
11.	Yezu Ukaristiya... Rukundo rutagira ingero	,,
12.	Yezu Ukaristiya ... Ruzi rutemba inema	,,
13.	Yezu Ukaristiya, Muriro wa Mutima	,,
14.	Yezu Ukaristiya, kabobera k'urukundo	,,
15.	Yezu Ukaristiya, Mazi amara inyota	,,
16.	Yezu Ukaristiya, Mukate utanga ubuzima	,,
17.	Yezu Ukaristiya, Rukiza rw'umutima	,,
18.	Yezu Ukaristiya, Shimwe ry'urukundo	,,
19.	Yezu Ukaristiya, Ngabirano y'agahebuza	,,
20.	Yezu Ukaristiya, Muti w'imitima yatuntuye	,,
21.	Yezu Ukaristiya, Data...Mugenzi...n'umuvukanyi	,,
22.	Yezu Ukaristiya, Muhoza w'abaruhijwe	,,
23.	Yezu Ukaristiya, Mwigisha w'impuhwe	,,
24.	Yezu Ukaristiya, Mwana Mucunguzi	,,
25.	Yezu Ukaristiya, Senaka uheta bose	,,
26.	Yezu Ukaristiya, Mana y'ingabo zo mw'ijuru	,,
27.	Yezu Ukaristiya, Jambo wa Mana mu mubiri w'abantu	,,
28.	Yezu Ukaristiya, Mwana wa Mana yigize umuntu	,,
29.	Yezu Ukaristiya, wewe ujana mw'iparadizo	,,
30.	Yezu Ukaristiya, karorero k'urukundo	,,
31.	Yezu Ukaristiya, Wewe uvyagiye mu mutima wanje	,,
32.	Yezu Ukaristiya, Muco w'ibiremwa vyose	,,
33.	Yezu Ukaristiya, Mukate muzima wo mw'Ijuru	,,

DUSABE: Yezu Ukaristiya... Rukundo rw'Imana, wewe washimye kungira itabernakulo ariyo ngoro yawe, ndagusavye untagatifuze kugirango nshobore guhanga inyonga zawe, nkwihweze amaso mu yandi nongere nshobore ku kurerura ndakuzungurukana iyo isi iva ikagera.
Iteka inganji y'ubuninahazwa nibigutahe wewe Mukama Mana yanje. Amen.

CONCHIGLIA

Ngaho lero Consiliya, ingiyo Rozari y'Ukaristiya uze urayivuga neza n'icubahiro cinshi umwanya wose, uko umushaha wawe utera indihaguzi ube ariko nawe ugerageza kunsenga.
Amatabernakulo mazima ari kw'isi yose aje hamwe agire ishaka rimwe ry'ugusenga kugirango anyibagize ibitutsi ntukwa n'abatanyemera ko ndi muzima mu masengero yose umubiri n'amaraso, umutima w'ubuzima mw'Isakramentu ry'Ukaristiya.